Department of Health and Human Services
Maine People Living Safe, Healthy and Productive Lives
Paul R. LePage, Governor Ricker Hamilton, Commissioner

**Inshingano n'uburenganzira**

**Uburenganzira bwawe:**

Amakuru yose utanga ntazokwarararazwa.

Ibisabwa ngo umuntu yemererwa muri WIC ni bimwe kuri bose hatarinze kurabwa urukoba, ibara ryarwo, igihugu c'amavuko, imyaka, ubumuga, canke igitsina.

Nimba wumva ko woba warakumiriwe, urashobora kwitwara.

**Inshingano zawe:**

Zana ibisabwa vyose kuri buri sango.

Menyesha ibiro vya WIC bikwegereye igihe wimutse canke uhinduye telephone yawe.

Zigama amasheke yawe ya WIC; amasheke atakaye canke azimiye ntashobora gusubirizwa.

**Iyo ndenze ayo mategeko, yaba jewe canke umuryango wanje:**

Ndashobora guca nkurwa ku rutonde mu kiringo c'umwaka.

Ntegerezwa kuriha indya canke amata natoye ntari mbikwiye.

Ndashobora kwitwarirwa murukiko.

Nabwiwe uburenganzira bwanje hamwe n'inshingano zanje nk'umunyamuryango wa WIC. Ndemeza ko nzi ko amakuru natanze kugira ngo nshobore kwemerwa ari ay'ukuri. Kino cete gitanganywe n'iresi ya Leta yo gushigikira ugufungura. Abajejwe runo rutonde barashobora gusuzuma amakuru natanze.

**Ndatahura ko nshobora gukurwa ku rutonde rwa WIC mu gihe:**

Jewe canke umwana wanje yitabira ica rimwe urutonde rurenze rumwe rwa WIC (ukwiyandikisha kubiri)

Ntanze amakuru Atari yo ajanye n'amahera ninjiza, abagize umuryango canke aho mba (forode).

Jewe canke umutumwa wanje (proxy) dukoresheje sheke za WIC ku mudandaza (akaguriro, inzu y'ubudandarizo y'umurimyi) atemerewe kuzakira (forode).

Jewe canke umutumwa wanje (proxy) wanje aguze indya zitari iza WIC akoresheje sheke ya WIC (urudandaza rwa magendo).

Jewe canke uwundi muntu akoze kw'izina ryanje agurishije canke atanze amasheke ya WIC (urudandaza rwa magendo).

Jewe canke uwundi muntu akoze kw'izina ryanje mu kuguza indya za WIC amahera, credit, canke indya zitari iza WIC (urudandaza rwa magendo).

Jewe canke uwundi muntu akoze kw'izina ryanje agurishije canke agura amapompo yo kwonsa akoswe canke ya WIC, indya za WIC, harimwo n'amata y'ifu y'umwana ya WIC yaguzwe hakoreshejwe amasheke ya WIC we akaronka amahera, credit canke izindi ndya canke izindi servisi (urudandaza rwa magendo).

Jewe canke uwundi muntu akoze kw'izina ryanje agurishije canke agura amapompo yo kwonsa akoswe canke ya WIC, indya za WIC, harimwo n'amata y'ifu y'umwana ya WIC yaguzwe hakoreshejwe amasheke ya WIC (ibitemewe n'amategeko).

Jewe canke uwundi muntu akoze kw'izina ryanje ahinduye isheke yanje ya WIC. (forode)

Jewe canke uwundi muntu akoze kw'izina ryanje ashize kw'isoko ryo ku rubuga ngurukanabumenyi yaba ashaka kugurisha, kubiguza canke kubitanga ku buntu ku rubuga urwo ari rwo rwose naho zoba ari imbuga hwaniro na (Facebook), Craiglist, eBay, imboneshakure, insamirizi, ikinyamakuru, canke izindi mbuga izo ari zo zose. (urudandaza rwa magendo).

Jewe canke uwundi muntu akoze kw'izina ryanje yifatiye mu gahanga haba mu majambo canke mu ngiro umukozi wo mu kaguriro ka WIC canke umukozi wa WIC ubwiwe (ukurenganya).